
Bibiliya y'Abana
Ishikirije



# Abami Beza, Abami Babi

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: Ruth Klassen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique


Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org


©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.




Wari umusi mubi cane kuri Manase. Umwami Hezekiya yari ahejeje gupfa. Iki gihe, yari afise imyaka cumi n'ibiri, Manase niwe yaciye aba umwami mushasha w'umuryango wa yuda. Ico gihe ntiyashobora kubimenya, ariko manase yari agiye kuba umwami mukiringo c'imyaka mirongo itanu n'itanu (55). Manase yari akeneye gufashwa n'Imana kugira ngo ashobore kuba umwami mwiza.





Ariko manase yibagira Imana, kandi aca akora ikibi. Aca asubira kwubaka ibicaniro vyo gusengeramwo ibigirwamana. Aca ashira igishushanyo c'ikigirwamana yibaziye munzu y'Imana! Kandi Imana yari yarabwiye Mose iti: "Ntuze wikubite imbere y'ibibumbano, ngo ubikorere."
3


Manase aja mubapfumu, ajana abantu kure y'Imana. Umwami aturira mbere n'abahungu biwe ngo babe ibimazi vy'ibigirwamana. Ukutumvira Imana kwa manase kwatumye ishavu ry'Imana ryiyongera.
4



Igihe ubwoko bw'Imana butayumviye, Imana irabuhana. Nivyo vyashikiye manase n'abantu yari arongoye. Uhoraho arungika ingabo z'abasiriya kubarwanya. Manase aca ajanwa ibabuloni aboshwe.
5


Ari m'umubabaro mwishi i babuloni, manase yibuka Uhoraho Imana yiwe. Aca arasenga, yicisha bugufi imbere y'Imana ya ba se. Ntiyaba agisubira gusenga ibigirwamana mu buzima bwiwe! Ariko Imana nzima yoba yari igiye kwishura manase inyuma y'ibibi vyose yakoze?
6


Ego! Imana yarumvise isengesho ry'umwami kandi iramugarukana i yerusalemu, asubira kunganji yiwe, asubira kuba umwami. Maze manase amenya ko Uhoraho ari Imana.
7


Umwami manase yari yabaye umuntu mushasha. Aca akuraho ibishushanyo vyose mungoro y'Imana kandi ibigirwamana vyose aca aja kubita inyuma y'igisagara. Aca asubira gusanura ibicaniro vy'Uhoraho maze abitangirako ibimazi vyo gushimira Imana. Hanyuma aca ategeka abantu bose yatwara gukorera Uhoraho Imana ya Isirayeli. Mbega ihinduka muri manase!
8

Igihe manase yapfa, umuhungu wiwe Amoni, yaciye asubira gusenga ibigirwamana. Ariko ntiyaca bugufi imbere y'Uhoraho nka Manase. Kuko Amoni yagenda akora ivyaha, abamukorera baciye bamwica, bamwicira munzu yiwe. Yabaye kungoma imyaka ibiri gusa.



9

Umwami akurikira, Yowasi yari afise imyaka munani gusa. Yabaye umwami imyaka mirongo itatu n'umwe kandi yakoze ivyo Uhoraho Imana abona ko ari vyiza mumaso yiwe. Yasambuye ibigirwamana vyose. Muri make, Yowasi ibigirwamana vyose yabihinduye umukungugu.



10

Umwami mwiza yowasi yarejeje kandi asubira gusanura ingoro y'Imana. Muvyagenda birabikwa, umuherezi yatoyemwo igitabo c'amategeko Imana yari yahaye Mose.




11

Igihe umwami yumva amajambo avugwa muri iryo tegeko, yaciye yitaburirako impuzu ziwe, ikimenyetso c'umubabaro. Yowasi atahura ububi butangaje bw'aba sekuru n'ingene batumviye amategeko y'Imana.




12

Umuvugishwa n'Imana yitwa Hulida yahaye Yowasi ubutumwa bw'Imana. "Uku niko Uhoraho agize, raba, ngiye kuzana ivyago aha hantu, kuko bantaye." Ariko kuko Yowasi yari aciye bugufi kandi yumvira Imana, ivyo vyabaye yaramaze gupfa.




13

Imana yafashije Yowasi kugarukana abantu k'Uhoraho. Umusi umwe, igihe yari arongoye ingabo ziwe k'urugamba, Yowasi yarakomerekejwe cane n'umwampi w'umwansi. Abakozi biwe baca bamugarukana i yerusalemu, aho yapfiriye. Abantu bose bararira, kandi baririmba bacura intimba kubw'umwami mwiza Yowasi.



14



Haheze igihe gito, ubwami bwarahagaze. Ariko umusi umwe, umwami azoganza Isirayeli. Izina ryiwe ni UMWAMI W'ABAMI, UWUGANZA ABAGANZA. Igihe Yesu yaza ubwambere, yaranswe kandi arabambwa. Ariko Yesu azogaruka, ntazoba umwami wa Isirayeli gusa ariko azoba umwami w'isi yose.



Abami Beza, Abami Babi

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

2 Ngoma 33-36

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130



# Iherezo

23 60



Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16